**REPUBURIKA Y'UBURUNDI**

**IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU**

**Ubunyamabanga Bukuru bwa Reta**

## ITANGAZO N°15/2024 RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 27 MUNYONYO 2024

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 27 Munyonyo 2024, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu c'Uburundi, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama rukongera rukemezwa, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yarongoye ku magenekerezo ya 22, 25 na 26 Munyonyo 2024, ivyihwejwe na vyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa muri iyo nama nshikiranganji.

### 1. Igitabu ntunganyamigambi yo mu bushikiranganji bw'ubudandandaji, gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi,

cashikirijwe n'umushikiranganji w'ubudandandaji, gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi



Iki gitabu cisunze ibindi bitabu fatiro ku migambi y'igihugu, nk' imbonakazoza y'igihugu cifashe mu mwaka wa 2040 kandi giteye imbere mu mwaka wa 2060 hamwe n'umugambi mukuru w'igihugu w'iterambere wasubiwemwo.

Imbonnakazoza y'ubwo bushikiranganji ni uko *« mu mwaka wa 2027 Uburundi bwoba bufise amahinguriro n'igisata c'ubudandaji bishobora guhiganwa n'ivy'ahandi, ugutwara abantu n'ibintu bitunganije neza, imyuga iha agaciro ivyo igihugu gitunze, igisata c'ingenzi gihurumbirwa, hamwe no guhingura ibifungurwa bizimbukira Abarundi »*.

Ihangiro nyamukuru ni *« guterera mw'iterambere ry'ubutunzi biciye mu guteza imbere ubudandaji, ugutwara abantu n'ibintu, amahinguriro, igisata c'ingenzi, imyuga no gucungera ubuziranenge »*.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino ico gitabu, yasanze hari ibikwiye kwongerwamwo, ica iragisubiza inyuma. Kizogarukanwa mu nama nshikiranganji cahinyanyuwe neza.

### 2. Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano yo gufashanya hagati ya Reta y'Uburundi na Reta ya Tchad,

yashikirijwe n'umushikiranganji w'imigenderanire no gufashanya mw'iterambere

Ayo masezerano ni intambwe yindi mu migenderanire y'Uburundi na Tchad azotuma ivyo bihugu bibiri bifashanya mu bisata bitandukanye bifitiye inyungu ivyo bihugu vyompi, canecane ibisata vy'ubutunzi..

Inama nshikiranganji yaremeje iyo nteguro.

### 3. Integuro y'urugero ntarengwa rw'amafaranga Reta ikoresha mu gice ca kabiri c'umwaka wa 2024/2025,

yashikirijwe n'Umushikiranganji w'ikigega ca Reta, ubutunzi no gutunganya imigambi

Urugero ntarengwa rw'amafaranga akoreshwa rubwirizwa kwubahiriza ibwirizwa rigenga amafaranga akoreshwa na Reta mu mwaka wa 2024/2025, aho ritegeka kwerekana urugero rw'amafaranga akoreshwa mu bisata vya Reta ku mezi atatu-atatu, hisunzwe indinganizo y'ibikorwa n'amafaranga ategekanijwe ku mwaka.

Hisunzwe ibwirizwa rishinga amafaranga yo gukoresha mu mwaka wa 2024/2025, hakoreshwa amafaranga yategekanijwe gusa. Umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta ararekuriwe gufata ingingo zikenewe kugira ngo ntihagire amafaranga akoreshwa atategekanijwe.

Inama nshikiranganji yaremeje iyo nteguro, mu vyo yasavye hakaba harimwo kwirinda gusesagura amafaranga ya Reta agakoreshwa mu bikenewe biza imbere y'ibindi, gushiraho umukenyuro wo kwongereza ayinjira mu kigega c'igihugu yokwiyongera, no gusubiramwo integekanyo ya Reta ku buryo ayasohoka adasumba ayategekanijwe.



### 4. Urwandiko rwerekana ingene amasezerano yerekeye ideni Reta y'Uburundi yafashe muri Exim Bank yo mu Buhindi yo kwubaka ingoro y'inama nshingamateka na nkenguzamateka n'amazu ubushikiranganji bwokoreramwo yifashe,

yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta, ubutunzi no gutunganya imigambi

Ayo masezerano yateweko umukono na Reta y'Uburundi na Exim Bank yo mu Buhindi kw'igenekerezo rya 02 Mukakaro 2019 akaba yerekeye ideni ry'imiriyoni ijana na mirongo itandatu n'imwe n'ibihumbi amajana atatu na mirongo itandatu (161 360 000) z'amadolari ya Amerika

Ayo masezerano ategekanya ko ibice mirongo irindwi kw'ijana (75 %) y'ibizokoreshwa muri uwo mugambi vyova mu gihugu c'Ubuhindi ibindi, (25 %) bigashobora kuva mu bindi bihugu, ivyo na vyo bikaba vyotuma izo nyubako zitwara uburyo bwinshi cane kandi aho mu gihugu hari ibitari bike vyoshobora gukoreshwa muri izo nyumbako.

Kuva ayo masezerano ateweko umukono mu 2019 gushika uno munsi, nta rufaranga na rumwe ruratangwa. Umuntu aravye ingene ibintu bimeze ubu, yokwibaza ibitari bike kw'ishirwa mu ngiro ry'ayo masezerano y'ingurane, canecane umuntu afatiye ku vyo Reta yoriha.

Uru rwandiko rusaba ko Reta yokwemera ko hotangura ibiganiro vy'ingene ayo masezerano yofutwa canke iryo deni rigakoreshwa mu wundi mugambi Reta y'Uburundi yonyene yoshira mu ngiro.

Inama nashikiranganji yaremeye yuko ivyo biganiro vyotangura, ayo mafaranga agashobora gukora mu wundi mugambi wa Reta.

5. **Integuro y'itegeko nshikiranganji rishinga agahembo k'abakozi bo mu bunyamabanga nshingwabikorwa hamwe n'urugero rw'agashirukabute k'abagize urwego nshingwanyigisho, n'abahinga b'abakutsakivi, mu Rwego Nshingwakirundi,**
   Yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe indero n'ubushakashatsi

Urwego nshingwakirundi rwatunganijwe mu mwaka wa 2021. Ariko ico gisata ntikiratangura gukora bimwe biboneka, kubera abakozi badakwiye. Iyi nteguro ije guca inzira kugira ngo hashobore kugenwa abagize urwego nshingwanyigisho muri ico gisata no kugira ngo haboneke abakozi bo mu bunyamabanga nshingwabikorwa n'abandi bahinga bokenerwa rimwerimwe kugira bafasha gukutsa ikivi.

Igenwa ry'abagize urwego nshingwanyigisho naryo rizofasha kugira ngo hace hashirwaho amategeko agenga abakozi kugira ngo ico gisata gitangure gukora koko.

Inama nshikiranganji yaremeje iyo nteguro.

6. **Integuro y'amasezerano yerekeye ingabire y'inyongera mu mugambi wo kwubaka urugomero rw'umuyagankuba rwa Jiji na Murembwe,**
   yashikirijwe n'umushikiranganji w'amazi meza, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka



Ayo masezerano yerekeye ingabire y'imiriyoni mirongo itatu (30) z'amadolari ya Amerika zatanzwe n'Ibanki y'isi yose, ziyongera ku zindi ijana (100) yari yaratanze mu mugambi wo kwubaka urugomero rw'umuyagankuba rwa Jiji na Murembwe.
Iyo ngabire izofasha mu kugabanya igihengeri mu bijanye n'uburyo bukenewe kugira ngo ibikorwa vyo kwubaka urwo rugomero birangire.

Inama nshikiranganji yaremeje iyo nteguro.

7. **Integuro y'amasezerano yerekeye ingabire y'inyongera mu mugambi wo gukwiragiza umuyagankuba mu gihugu ku buryo burama (Accelerating Sustainable and Clean Energy Access Transformation - ASCENT BURUNDI)**
   yashikirijwe n'umushikiranganji w'amazi meza, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka

Uwo mugambi wari waronkejwe uburyo n'Ibanki y'isi yose bw'imiriyoni ijana (100) z'amadorari ya Amerika. Ubwo buryo bushika imiriyoni mirongo itanu (50) ni ubuje bwiyongera kuri ubwo bwari bwaratanzwe kugira ngo n'abantu baba inyuma y'igisagara ca Bujumbura bashikirwe n'umuyagankuba.

Uzoshikira imiryango n'ibisata vya Reta biri mu mitumba mirongo icenda n'itanu (95) ihanamiye igisagara ca Bujumbura, bikazofasha gukuraho irahurwa ry'umuyagankuba ridaciye mu muco ryibonekeza mu duce tumwetumwe two muri ako karere.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, yarayemeje.

## 8. Integuro y'itegeko rishira mu ngiro igitabu c'amategeko agenga ubutare mu Burundi mu vyerekeye ubushakashatsi mu gisata c'ubutare, hamwe gucukura ubutare n'urucekeri,

yashikirijwe n'umushikiranganji w'amazi meza, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka

Mu ntumbero yo kugwiza uburyo buva mu gisata c'ubutare n'urucekeri kugira ngo biteze imbere ubutunzi bw'igihugu ngo gishike ku mahangiro y'Imbonakazoza : Igihugu cifashe mu mwaka wa 2040, giteye imbere mu mwaka wa 2060, Reta y'Uburundi yarahinduye vyinshi harimwo n'amategeko, kugira ngo igisata c'ubutare kibe imbarutso y'iterambere ry'ubutunzi n'imibano mu Burundi.

Ni muri iyo ntumbero hagiyeho igitabu c'amategeko agenga ubutare mu Burundi mu mwaka wa 2023.
Kugira ngo iryo bwirizwa rishirwe mu ngiro, harakenewe amategeko mperekeza. Kubera icitezwe ku butare kuri iyo mbonakazoza y'Uburundi, birakenewe ko buhabwa agaciro kabubereye kugira ngo bugire ico butereye kiboneka mw'iterambere ry'ubutunzi bw'igihugu. Iyi nteguro ije kwerekana ingene ubushakashatsi mu butare n'agataka bukorwa, hamwe n'ingene ubutare n'urucekeri bicukurwa.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje ibanje kuyunganira no kuyitosora.



## 9. Umugambi wo kwubaka amazu y'akarorero mu gisagara ca Gitega uzorangurwa n'ishirahamwe DACC INTERNATIONAL,

washikirijwe n'umushikiranganji w'inyubako, ibikorwa n'ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro

Ishirahamwe DACC INTERNATIONAL ryasavye ikibanza co kwubakamwo amazu y'akarorero mu gisagara ca Gitega. Uwo mugambi uri mu ntumbero ya Reta yo kugwiza uburaro. Ico kibanza co kwubakwamwo gifise uburinganire burenga gato ihegitare zitandatu na are mirongo umunani n'indwi (6ha87a). Hokwubakwamwo :
(i) Amazu meza meza yo kubamwo, ayigenga hamwe n'amagorofa;
(ii) Ikigo c'idandarizo;
(iii) Ishure ry'abana bato bimenyereza (crèche /école maternelle) ;
(iv) Ikibanza co kwinonoreramwo imitsi no kuruhukiramwo .

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino uwo mugambi, yasavye ko ingingo ziri mu gitabu c'amategeko agenga amatongo zerekeye ingene amatongo ya Reta atizwa zokwubahirizwa, hakabanza hakemezwa amasezerano hagati y'ubushikiranganji bujejwe inyubako n'iryo shirahamwe "DACC International" ku vyerekeye uwo mugambi, imbere yo gutegura ishirwa mu ngiro ryawo.

## 10. Urwandiko rwerekeye ikosorwa ry'utunenge dufatiye kw'ishirwa mu ngiro ry'umugambi wo kugabanya ubusumbasumbane bw'imishahara y'abakozi no gushira ku rutonde ubuzi bushasha,

rwashikirijwe n'umushikiranganji w'abakozi ba Reta n'akazi

Mu ntumbero yo guherekeza umugambi w'igihugu wo gutunganya gushasha akazi muri Reta, Reta y'Uburundi yarashizeho umugambi wo kugabanya ubusumbasumbane bw'imishahara mu bisata vya Reta. Uwo mugambi ushingiye ku gutondeka ubuzi no gufatira ku mwimbu umukozi yashitseko, intumbero ikaba ari ukugira ngo

"abakozi ba Reta bakora ubuzi budasa ariko bize bimwe, abafise amabanga asa, bagashika ku mwimbu ungana mu kazi kabo, baronka umushahara ungana".

Uwo mugambi wo kugabanya ubusumbasumbane bw'imishahara watanguye gushirwa mu ngiro muri Mukakaro 2023, abakozi ba Reta bakaba bahembwa hisunzwe ubwo buhinga bushasha bwo guharura imishahara. Ariko ishirwaho ry'ibisata bishasha mu bushikiranganji bumwebumwe hamwe n'ingene ikurikiranwa ry'imigwi imwe-imwe y'abakozi rikorwa bisaba ko hashirwa ku rutonde ubundi buzi butari busanzweho. Hariho n'abakozi bahembwa umushahara udahuye n'ubuzi bakora canecane bikibonekezwa mu bushikiranganji bujejwe indero. Uru rwandiko rusaba ko utwo tunenge twokosorwa.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino urwo rwandiko, yarashigikiye ko utwo tunenge twokosorwa, canecane ntihasubire kwitiranywa akazi ka misi yose umuntu akora aduga amapete y'uburambe n'amabanga umukozi yagenywemwo ashobora guhinduka umwanya uwo ari wo wose.

Inama nshikiranganji yaciye isaba ko hojaho umugwi ugizwe n'abaserukira ubushikiranganji bw'abakozi ba Reta, ubw'indero, ubw'amagara y'abantu n'ubw'ikigega ca Reta, kugira ngo bakore igikorwa co gusuzuma neza ingene uwo mugambi wo kugabanya ubusumbasumbane mu mishahara uriko urarangurwa.

Inama nshikirangaiji yasavye kandi ko umugwi wakoze ku vyerekeye kubohora no kuroranisha amapete mu kazi mu bisata bigengwa n'amategeko vyiharije woca ujaniranya n'igikorwa co gutunganya ivyerekeye imishahara muri ivyo bisata.



## 11. Utuntu n'utundi

Mu tuntu n'utundi, inama nshikirangaranji yaragarutse ku nyifato y'abakozi ba Reta bamwebamwe, canecane bakurubakuru, aho mu gihe haba himirije amatora usanga umenga umutima uri ahandi kubera benshi baba baniganira gushirwa ku ntonde z'abitoza, n'akazi ntikabe kagikorwa.

Inama nshikiranganji yasavye ko abantu bogumana umutima wo gukunda igihugu bakabandanya imirimo yabo, kuko bose ntibashobora kuja kuri izo ntonde. Kandi inyuma y'amatora ubuzima bw'igihugu burabandanya.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 28 Munyonyo 2024

**Umunyamabanga mukuru wa Reta**

**Jérôme NIYONZIMA. -**

